# UKURI KUNYWANISHA

*Ikinyamakuru c'Umurwi w'igihugu ujejwe Ukuri n'Ukunywanisha Abarundi*

*Q. Kabondo, Avenue du 13 octobre, n°16, www.cvr.bi.*
*Tél. :22 279169* ; 22 280706 B.P. 2620 Bujumbura, Burundi

**N°12**
**KIGARAMA 2020**


## INTANGAMARARA

*Mu mwaka wa 2020, Umurwi CVR wihatiye cane kurondera Ukuri ku bijanye n'amabi yabaye mu 1972 mu Burundi, igihe hicwa abantu ibihumbi n'ibihumbi bunyamaswa, bagatabwa mu binogo rusangi, abandi mu nzuzi n'amashamba. Hari n'abahambwe ikivunga n'ibimashini iyo mu za Ruvubu, Mashitsi, Nyabunyovuvu, Mutobo n'ahandi. Hari n'abanyazwe amatungo yabo; hakaba n'abakenyezi be n'abigeme bafashwe ku nguvu. Mu bishwe, hari ababanje gufungwa imbere y'uko batabwa mu binogo rusangi bagikomeye canke bamaze kwicwa. Hari n'abishwe batumweko mu makoraniro.*

*Muri urwo rwimo rwo mu 1972, hatanguye kwicwa mu bumanuko bw'igihugu abo mu bwoko bw'Abatutsi, mu za Minago, Rumonge, Kigwena, Nyanza Lac, Makamba, Vugizo n'ahandi. Hakurikiye uruhigi rwo kurondera mu gihugu cose Abahutu cane cane b'incabwenge, abagwizatunga, abihebeye Imana, abantu bateye imbere n'abanyagihugu bifise, abigisha, abasirikare, mbere n'abanyeshule.*

*Muri uno mwaka w'2020, Umurwi CVR ukaba rero ahanini wakoze ibikorwa vyo gushira ahabona ukuri ku vyabaye no kuzura ibisigarira vy'amagufa y'abo bantu bishwe mu 1972 mu ntara zo hagati n'izo mu bumanuko bw'igihugu (Gitega, Karusi, Makamba na Rumonge). Ivyo bikorwa vyajanye no kwumviriza bamwe mu bacitse kw'icumu ico gihe, abagize uruhara muri ubwo bwicanyi, abashoboye gukingira abandi hamwe n'ababonye ingene ubwo bwicanyi bwagenze. Intumbero, kwari ugushaka kumenya Ukuri kwose kujanye n'ivyabaye mu mwaka w' 1972.*

*Ivyo rero, turetse ko bizofasha abanditsi b'ibitabo kumenya Ukuri kubijanye na kahise k'Uburundi, bizotuma Umurwi CVR utegura neza ibikorwa vyo kunywanisha Abarundi. Umurwi CVR waritavye kandi akamo watewe n'abagiye baratora ibisigarira mu mirima yabo.*

*Ivyo bikorwa ntivyari vyoroshe. Hari abatubahuka gutanga amakuru kubera ubwoba canke imitima yahahamutse, ; hari n'abandi, kubera ubusaza, vyasabako tubasanga mu mihana iwabo. Hari n'abahahamuka bobonye ibisigarira vy'amagufa yazuwe muri ivyo binogo bigasabako abahinga bo muri CVR bavyize, bababa hafi.*

***Petero Klaveri Ndayicariye***

## Ibikorwa vyaranguwe n'Umurwi CVR mu mwaka w' 2020 bijanye no kurondera ukuri ku bijanye n'amabi yabaye mu 1972



*Umukuru w'umurwi CVR, Ndayicariye Petero Klaveri, yamenyeshejeko mu binogo rusangi vyafuruwe mu mwaka w'2020 (ku Ruvubu, i Mashitsi, mu Mutobo, i Nyabunyovu, i Nyambeho n'ahandi) hari haryamyemwo Abarundi n'Abarundikazi bo mu bwoko bwose*



*Aha ni i Mutobo. Hazuwe mu binogo rusangi bibiri, ibisigarira vy'abantu 658. Ikinogo ca mbere cavuyemwo ibisigarira vy'abantu 93. Ica bakiri naco cavuyemwo 665. I Mutobo, ni muri Komine Giheta (Gitega), amaja kw'ibarabara rigenda i Ngozi. Ni hafi y'i Gishora, hamwe hari ibigabiro vy'abatimbo.*

# UKURI KUNYWANISHA

## INGENE IBIKORWA VYAGENZE MU NTARA YA GITEGA

Mu ntara ya Gitega hazuwe ibisigarira vy'abantu bagera ku 10 .978 kuva muri Nzero gushika muri Mukakaro 2020. Ivyo bikorwa vyatanguriye ku ruzi Ruvubu, hafi y'igitarurwa kiri kw'ibarabara riva mu gisagara ca Gitega rigana intara ya Karusi. Umurwi ujejwe gutohoza Ukuri ku vyabaye mu Burundi no kunywanisha Abarundi ukaba wahazuye ibisigarira vy'amagufa y'abantu barenga 7.300 mu binogo rusangi umunani vyo mu 1972 vyari bimaze kwemezwa n'uyo murwi. Muri ivyo binogo, wasangamwo ibisigarira vy'abantu bamwe amaboko ari ku mitwe, abanda amaguru n'amaboko aboshwe.

Bamwe mu batawe muri ivyo binogo baje bava mw'ibohero rikuru rya Gitega. Batobato n'abakuru ntibaja hamwe, abakuru bapfungirwa mw'ihangare, abato bakaja mu dusho dutoduto dufise uburinganire budashikana metero kwadarato imwe n'igice. Kamwe kose kakajamwo abantu barenga cumi. Ubu utwo dusho tukaba ari ubwogero bw'abanyororo.



*Aba ni abakozi bahawe akazi na CVR ko gufurura barondera, ku Ruvubu, ibisigarira vy'abahatawe mu 1972*

Kuri site y'i Mutobo, iri muri Zone na Komine Giheta mu ntara ya Gitega, hatowe ibinogo rusangi 2. Kimwe cari munsi y'inzu. CVR ikaba yabanje kwubaka iyindi nzu ku ruhande, yo gusubiriza iyo yindi.

Mu nkuka y'imisa yogusabira abo bahisi, Umwungere wa diocèse nkuru ya Gitega, Musenyeri Ntamwana Simoni, mu nsiguro yatanze, yavuze ati: *« aya magufa ari imbere yacu asubiye kutwibutsa rya bwirizwa risumba ayandi mabwirizwa: NTIWICE ».* Iyo nkuka y'imisa ikaba yari yitabiriwe n'abenegihugu benshi barimwo uwahoze ari icegera ca mbere c'umukuru w'inama nkenguzamateka, Njebarikanuye Spès Caritas.

Muri IRAZ, naho, ku mutumba Mashitsi, Zone na Komine Giheta intara ya Gitega, hatowe ibinogo rusangi 4 vyatawemwo abantu barenga 1900. Bamwe bakaba batabwamwo bagikomeye, abandi bamaze kwicwa, bagasehwa n'amabeni gushika kuri ivyo binogo. Mu kuzura ivyo bisigarira, hakoreshejwe imashini kuko hari hagumye cane kandi ni ibisigarira vyari mu kuzimu kure cane.

Aho i Mashitsi, haratowe amenyo y'inzahabu y'uwitwa Ngendakumana Cleto. Mu 1972, yari umukozi w'ibanki BCB mu gisagara ca Bujumbura. Imfura yiwe yaraje kenshi kuraba aho CVR ikorera ku Ruvubu n'i Mashitsi, ivugako inyuma y'igandagurwa rya se, baciye banyagwa urukombamazi.



*Uyu mutama ari mu bari bapfungiwe mw'ibohero rya Gitega mu 1972, akaba yari no mu karwi kari kajejwe kugandagura abo bita "abamenja" bakaja kubata mu binogo rusangi ku Ruvubu. Yarasiguriye neza na neza umurwi CVR uko vyagenda. Ngo ku musi yarashobora kwica abantu 120.*




Laetitia Ngendakumana, imfura ya Cleto Ngendakumana, yaza kubaza CVR ko iratora ayo menyo y'inzahabu ya se wiwe. Yaba i Bujumbura mu Bwiza, kw'ibarabara rya 2 numero 17 ico gihe. Ubu ni kuri numero 18. Cleto yafashwe n'abasirikare i Bujumbura ari muhira iwe, aca ajanwa kwicirwa i Gitega. Ibisigarira vyiwe vyatowe mu kinogo kigira gatatu c'i Mashitsi.

Muri Ndamukiza 2020, Umurwi CVR warakoreye ahitwa Nyabunyovu iri muri Zone na Komine Giheta, mu ntara ya Gitega. Igikorwa nk'ico carakozwe no ku ruzi Nyambeho rugabura umutumba Bwoga wa Komine Gitega na Gisuru wa Komine Giheta, aho hose ni mu ntara ya Gitega. Hatowe ibinogo rusangi 2, kimwe ku ruhande rwa Gisuru, ikindi i Bwoga.

CVR yagerageje kurondeza ibindi binogo rusangi aho I Nyambeho, hakaba himbwe ibinogo birenga ijana, mugabo ntavyabonetse.

Umurwi CVR ntaco utakoze kugira urondeze n'ahitwa i Tankoma inyuma y'igisagara ca Gitega no mw'ikambi y'igisirikare "camp commando" aho bivurwako ariho hagandaguriwe Umwami Ntare wa 5. Yamara Umurwi CVR n'ubu nturashobora kuronka ibisigarira vy'amagufa yiwe. Uracarondera.

Aho i Gitega nyene, CVR yarishikiye kw'ishure ryisumbuye ubu ryitwa " Lycée Musinzira" gutohoza ku bijanye n'ubwicanyi bwagiriwe abanyeshure mu 1972. Ahandi CVR yashitse gutohoza ni i Buhiga, mu Nyabikere n'i Mutaho.

## IBARA RYARAGUYE MU NTARA ZO MU BUMANUKO

*Kuva muri Nyakanga gushika muri Munyonyo 2020, ibikorwa vyo kuzura ibisigarira vy'amagufa y'abantu bishwe 1972 vyabandanirije mu ntara za Rumonge na Makamba.*

Mu Rumonge, Umurwi CVR wakoreye ku bitaro bikuru vyo mu Rumonge, hagati mw'isoko yo mu Minago, ku kibuga c'umupira wa maguru mu Minago, ku mutumba Nyagasaka muri zone Buruhukiro, ku mutumba Cugaro wa zone Minago, muri karitiye Birimba mu gisagara ca Rumonge, ku mutumba Mugara ya zone Gatete, ku mitumba ya Kanenge na Nyakaguma muri zone Kigwena hamwe no muri komine Nyanza-Lac mu ntara ya Makamba. Aho mu Rumonge rero, intandaro y'ubwo bwicanyi ngo ni akagwi k'abantu biyita ba mayi mulele bipfuza ko intwaro ya Micombero yotembagazwa..

Mu ntara ya Rumonge hamwe na komine Nyanza-Lac, hazuwe ibisigarira vy'amagufa y'abantu 1302. Mu ntara ya Makamba, umurwi CVR wakoreye mu makomine ya Mabanda, Vugizo na Makamba. Umurwi CVR warashitse no muri komine Kayogoro ku mutumba wa Kididagi. Ukaba wasanze hari ikinogo ibisigarira vyazuwe. Ubu hakaba hari ibarabara. Ku mutumba Munonotsi zone Gisenyi komine Makamba, harabonetse ibisigarira vy'umuvyeyi yapfanye n'ikibondo ciwe ariko arageragеza kugikingira. Aho i Makamba, ibisigarira vy'amagufa y'abantu 1.191 ni vyo vyazuwe mu binogo 34 vyimbwe.

### MAKAMBA , 1972 : AHITWA I GIKUZI N'UBU HARACIKUGURWA

Ku mutumba Gikuzi ya komine Vugizo, abishwe bahamagariwe mw'ikoraniro ryatumweko na Musitanteri. Umurwi CVR wahatoye ibinogo rusangi 8 vyatawemwo abantu barenga 800.



*Samuel Nduwingoma yari Bulamatari w'umusirikare yatwara intara ya Bururi mu 1972 yarumvirijwe n'umurwi CVR, ku wa mbere Kigarama 2020*

Umurwi CVR waratumyeko uwari Musitanteri wa Vugizo muri ico gihe. Nyawakira Antoine ntahakana iryo bara ryaguye. Nyawakira Antoine yishuye ibibazo vy'abakomiseri ba CVR ku wa 08 Kigarama 2020. Yarasiguye ingene ubwicanyi bwo muri 1972 bwatanguwe n'Abahutu bica Abatutsi, mu nyuma abasoda nabo bakaba baciye birara mu Bahutu. Yavuze ko n'ubu akibababazwa no kubona atashoboye gutabara Abahutu biciwe i Gikuzi kandi ko yiteguriye gusubiza ivyanyazwe abiswe « *abamenja* » mu gihe bobimusaba. Arashimira cane Umurwi CVR wamuhaye umwanya wo gusigura ivyabaye mu 1972. Inteko z'abasirikare zari zirongowe na Jérôme Sinduhije (foto i buryo) yatwara ikambi y'i Gitega nizo zaje gukorera aho i Gikuzi.

## IVYO UMUKURU W'UMURWI CVR YAVUGIYE I GIKUZI




*Umukuru w'ikambi ya Nyanza-lac, Lieutenant-colonel Ndayisenga Désiré yaraje kwirabira ibisigarira vy'abiciwe i Gikuzi*

Petero Klaveri Ndayicariye arongoye Umurwi CVR yabwiye abari baje mu birori vyo gutanguza ibikorwa vyo kurondera ibisigarira vy'abishwe bagatabwa mu binogo mu 1972 aho i Gikuzi (hari kw'igenekerezo rya 15/09/2020) ati :


*« Mu bishwe benshi bari Abahutu ; bahamagawe mu nama y'amahoro n'ubumwe kw'Ikomine. Bahamagawe na Musitanteri w'ico gihe akoranye n'abarongoye inzego z'umutekano. Uwo Musitanteri n'ubu aracariho ; Umugwi CVR uzomwegera atubwire ivyo yibuka, ivyo yabonye n'ingene vyagenze. Ivyo kumubaza ivyo yabonye canke yibuka, tubirekurirwa n'amategako. Intara ya Bururi yari ifise Bulamatari w'umusirikare ayiramutswa ; nawe nyene aracariho ; tuzomwegera atubwire ivyo yibuka n'ivyo yabonye. Mu 1972, Rumonge na Makamba batwarwa mu Ntara ya Bururi. »*



*Ifoto yo hejuru: Antoine Nyawakira. Ifoto yo hasi: Jérôme Sinduhije. Abo bompi baraje gusigura muri CVR ingene mu 1972 vyagenze mu mubanuko bw'igihugu, cane cane ivy'i Gikuzi*



# ABANYACUBAHIRO BENSHI BARASANZE UMURWI CVR KU KIVI






*Ibubamfu: Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama nkenguzamateka, Nshimirimana Cyriaque, mu gisabisho co gusabira abahitanwe n'ubwicanyi bwo mu 1972 i Gikuzi, Zone na Komine Vugizo intara ya Makamba, yaragabishije abo bose bashaka kuburabuza ibikorwa vy'Umurwi CVR (Gikuzi, 17/10/2020)*

*I buryo: Nyeniteka Umukuru w'Inama Nshingamateka, Daniel Gélase Ndabirabe, mu birori vyo gusozera vy'imfatakibanza ibikorwa vy'Umurwi CVR mu ntara ya Rumonge, yasiguye yuko ibisigarira vy'amagufa y'abantu bivuga. Hari ku kibuga c'umupira w'amaguru mu Rumonge. Ico gihe, yari kumwe na Nyeniteka Sinzohagera Emmanuel, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka (Rumonge, 16/10/2020)*





*Ibubamfu: Uwahoze arongoye Inama Nkenguzamateka, Reveriano Ndikuriyo yavuzeko ibikorwa vy'umurwi CVR bizoduhindura abana n'abuzukuru bacu (Ruvubu, 29/01/2020)*
*Iburyo: Mu gisabisho co gusabira abahitanywe n'ubwicanyi, bwo mu 1972, Musenyeri Mukuru w'ishengero Anglikane mu Burundi, Martin Blaise Nyaboho yasavye Imana ko ivyabaye mu gihugu bitosubira (Gikuzi, novembre 2020)*





*Ibubamfu: Uwahoze ari icegera ca mbere c'umukuru w'igihugu, Gaston Sindimwo, aho yasanze CVR ku kivi, yavuzeko ibikorwa vy'Umurwi CVR bigaragaza umutima w'ubunyamaswa waranze Abarundi bamwe bamwe mu bihe vyaheze. (Mashitsi, 13/03/2020)*
*Iburyo: Umuhuza w'Abarundi, Edouard Nduwimana, nawe nyene, ku Ruvubu, yavuzeko amahoro nyakuri aca mu kumenya ukuri mu Barundi (Ruvubu, 19/02/2020)*

*Hari n'abandi banyacubahiro benshi basanze Umurwi CVR aho wariko urararangurira imirimo, barimwo Umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD, ubu akaba ari Umukuru w'igihugu c'Uburundi, Nyenicubahiro Evaristo Ndayishimiye.*

***Rédaction et mise en page: Gérard MFURANZIMA***